**DISCOURS DU MINISTRE DE LA DEFENSE NATIONALE ET DES ANCIENS COMBATTANTS A L'OCCASION DES CAUSERIES MORALES A L'ATTENTION DES SERVICES CENTRAUX, DES COMDS DES REGIONS, COMDS BDES ET COMDS BNS.**



**Bujumbura, le 01 avril 2015**

- Nyakubahwa Mukuru w'Ibiro Bikuru vy'Intwaramiheto ;
- Nyakubahwa Muyobozi Mwishikira mu Biro vy'Umukuru W'Igihugu ;
- Nyakubahwa Munyamabanga Ntayegayezwa mu Bushikiranganji Bwo Kwivuna Abansi no kwitaho Abahoze ku Rugamba ;
- Nyakubahwa Cegera c'Umukuru w'Ibiro Bikuru vy'Intwaramiheto ;
- Nyakubahwa Mugenduzi Mukuru mu Bushikiranganji bwo Kwivuna Abansi no kwitaho abahoze kuRugamba ;
- Banyakubahwa Ntwazangabo zo mu Rwego rw'aba Généraux ;
- -Banyakubahwa Ntwazangabo murongoye Imirimo inyuranye m'Ubushikiranganji bwo Kwivuna Abansi no Gukurikirana (kwitaho) abahoze ku Rugamba no mu Biro Bikuru vy'Intwaramiheto;

Tugire amahoro, sangwa amahoro, ubumwe, ubutungane n'iterambere mu banyu no mu vyanyu mbere no mu Gihugu cacu c'Uburundi. Kuri uyu munsi uri hejuru, turamutse duhura ngo twungurane ivyiyumviro, twongere tuje inama n'ingingo, ukungene twokwifata n'ukungene twokwitwara muri ibi bihe twimirije amatora. Turabaramukije lero amahoro ava ku mana.

Duhuriye ngaha kandi ngo tuganire na cane cane kuvyerekeye ubuzima bw'Igihugu muri iyi minsi twimirije amatora rusangi yi 2015, Ubuzima bwanyu aho mubaye naho mukorera ingene hifashe mubijanye n'umutekano muri ibi bihe vya none havugwa amajambo menshi ashobora guca n' ivutu abantu boba bafise umutima uhuha.

Kubitwerekeye lero nk'abarongozi banyu kurwego rw'ubushikiranganji twagomba kugira icotwunganiye , Umukuru w'Ibiro Bikuru vy'Intwaramiheto kubibazo vyagiye birashikirizwa mu mibonano yo mu ntara zose zagisirikare kuvyerekeye politike.

Tubagendeye rero mu gihe abarundi twese twimirije amatora ategekanijwe muri uyu mwaka turimwo, guhera muri Rusama gushika muri Myandagaro. Murazi, murabona kandi murumva ko ibihe bijanye canke bitegura amatora ko

bigoye, hàba imbere, mu matora nyezina, canke inyuma yayo, bigasaba lero ko inzego z'umutekano zibwirizwa kurangwa n'umutima rugabo mu kazi kazo ka minsi yose na cane cane muri ibi bihe vya none bidasanzwe havugwa vyinshi.



Dutegerezwa rero kumenya ibihe turimwo nk'abaronngozi mu nzego zinyuranye z'Ugwego gwacu kuva hasi gushika hejuru, umwe wese ategerezwa kwimenya kandi akamenya ico akora, akongera akagikora neza cane, akagikora yisunze amategeko amugenga,agenga Igihugu mbere n'amategeko mpuzamakungu, kandi akanabigendera, murazi neza yuko ari nayo amuhana mu gihe ayarenze canke ayiyirengagize.

Nagira rero nce kumayange kubimaze iminsi bivugwa, zaba inkuru zamenyeshejwe n' abadaharanira inyungu za politike, haba ku ma Radiyo amwe amwe yigenga no mu bimenyesha makuru bimwe bimwe, mbere n'amakuru aca mu Buhinga Ngurukanabumenyi « Internet ». Mpereye kugitero co mu ntara ya Cibitoke, haravuzwe vyinshi, kandi handitwe vyinshi.

Leta ifatiye kuvyo ishirahamwe rijejwe kubahiriza agateka ka zinamuntu « Human Rights Watch » yashikirije, yaciye ishiraho umurwi ugira amatohoza, ukaba wahawe ukwezi. Hamwe wosanga hariho uyu canke uriya mu bajejwe umutekano yarenze amategeko ayazi kandi yategerezwa kuyubahiriza azoshengezwa akubitwe intahe mu gahanga kubwiwe wenyene, kukaba nkako ntashobora gurtyoza igisirikare cose c'Uburundi kimaze kuba rurangiranwa mu makungu.

Kuvyerekeye ihindagurika mu nzego z'igendereza, ntavyinshi twobivugako, uretseko mushasha yizigiwe n'umukuru w'igihugu cacu, yavuye mu rwego rw'iwacu, bituma twizera kandi twizigira mbere ko tuzokorana neza cane.

Hariho n'ivyatangajwe ko mu gihe Umukuru w'igihugu bovuga ko azokwitoza, abantu bamwe bamwe bokwihereza amabarabara. Aha mu gihe vyoshika, igipolisi nico kibijejwe muri rusangi, ariko mu gihe vyoba ngombwa turarekuriwe kugifasha. Muri ico gihe, mu Biro Bikuru vy'Intwaramiheto barabizi kandi n' inyifato ibereye yisunze amategeko barayizi, niyo ngendo lero ihesha icubahiro ugwego gwacu kuko bakora kumugaragaro ataguhengama.

Umusirikare wese ategerezwa kugendera akarangamutima n'inyifato runtu karanga ingabo z'uburundi, mugucungera, gukingira imbibe z'igihugu,

umunyagihugu n'inyungu ziwe, akerekana na ntaryo UBUKEREBUTSI, UBUTORE N' UBUHIZI ko ari ingabo yabunyoye, bitumwako, Umwizigigwa yizigiwe mu Gihugu no mu Makungu.



Ntwazangabo mwese, turumva hirya no hino ngo hari ibirwanisho, imigwi y'abagwanyi, kandi ngo vyoba biriko birakwiragizwa mu gihugu. Ndabategetse kandi ndabibukije ko mubirekuriwe n'amategeko y'Igihugu kwaka ibigwanisho n'ibindi bikoresho vya gisirikare uwo wese abitunze atabifitiye uruhusha canke uburenganzira, kandi mugaca mugirako mukanamushengeza, gutyo muzoba mukingiye Igihugu n'Abakibamwo. Umuntu yoba ariko arakwiragiza ibigwanisho muri benegihugu yoba yagararije umugambi wa leta, bisigura ko yoba yiyemeje kuyigwanya.

Uwo nawe ntamuntu numwe yomwihanganira haba kugwego gw'igihugu, gw'akarere, gw'intara mbere bibaye ngombwa no k'ugwego mpuzamakungu baca umugani mu kirundi ngo ibikino biheze bija mu nka. Ndibaza lero ko atamurundi w'umutima akunda Uburundi n'Abarundi mbere n'incuti z'abarundi yoshobora gukora uwo mugambi ugayitse.

Ariko mumenye ko hariho amateka, yubahiriza kiremwa muntu wese avukana, kandi ko ata numwe arekuriwe kuyamwaka yisunze idini, urukoba, ubwoko, intara, igitsina canke ico arico cose.

Kuvyerekeye politike, nivyo abasirikare co kimwe n'abandi barundi bose bakwije imyaka, barafise uburenganzira bwo gutora, ariko ntibafise uburenganzira bwo kwitoza. Ni naco gituma umusirikare aho ari hose ategerezwa kubahiriza ibwirizwa shingiro na cane cane mu ngingo yaryo ya 244 ivuga iti : "Haba inzego z'umutekano, haba abazigize, mu kazi kabo ntibarekuriwe : Kwitivanga mu nyungu z'imigambwe yemewe n'amategeko iyo ariyo yose, Kwerekana aho uhengamiye muri politike, Kwiyegereza bimwe biboneka inyungu z'umugambwe, Kuba umunywanyi w'umugambwe canke w'ishirahamwe riharanira inyungu za politike, Kuja mubikorwa canke mu myi yamamazo bifise intumbero za politike. Uwubirenzeko nawe, ahanwa n'itegeko rigenga inzego z'umutekano.

Nagomba rero ndabibutse ko twebwe umugambwe wacu ari umugambwe w'akazi ka gisirikare. Idarapo (ibendera ryawo n'inkofero iriko inganji icapuyeko intare). Nkuko lero INTARE ari umwami w'ishamba, namwe

mwiyemeje kuba INKINGI y'IGIHUGU, itanyiganga ngwihungabane naho hoza igihuhusi ca politike kimeze gute. Mwebwe lero muri umuryango umwe, INKINZO ikingiye IGIHUGU c'Uburundi, Abarundi n'Abanyamahanga bakibamwo.



Nagira ndababakebure ndababwire ko abakina POLITIKE BEJEJE kandi hageze isarura. Muri kino kiringo lero musabwe kubandanya imirimo yanyu ya minsi yose mufatanye munda ata BWOKO, ata GITSINA, ata DINI mwese mwitwa INGABO Z'IGIHUGU C'UBURUNDI. Murabima amatwi kuko murazi iyo twavuye naho tugeze, mwaraciye mu bihugu b'inyuranye, mwarabonye icatsi n'ururo kandi ko igihugu kitagira Ingabo ziri k'umurongo ko kimeze nk'UMUBIRI utagira ABASIRIKARE, ingwara zose z'ivyuririzi ntiziwugera umutwe.

Muririnda kandi IBIHUHA n'AGASOTORO, murahagararire ibanga, akarangamutima n'agatimatare ka gisirikare mwiyemeje mugukingira Uburundi, Abarundi n'ivyabo hamwe n'abanyamahanga.

Muburyo 36 bwo kugwanya umwansi busigugwa n'umuhinga SAN TSU, naho mworabira kuri utu tulorero muzotsinda intambara :

<u>Ubwambere</u> : Qui connaît l'autre et se connaît lui-même, peut livrer cent batailles sans jamais être en péril. Qui ne connaît pas l'autre mais se connaît lui-même, pour chaque victoire, connaîtra une défaite. Qui ne connaît ni l'autre ni lui-même, perdra inéluctablement toutes les batailles.

Kumenya umwansi kandi nawe ukaba wiyizi neza ; urashobora kugwana intambara zidaharuritse kandi ukazitsinda zose. Ukaba utazi umwansi ariko wewe ukabawiyizi, intambara uzotsinda zose uzotakaza ibitari bike. Utazi umwansi kandi ukaba utiyizi uzokwama utsindwa mu ntambara zose.

<u>Ubwakabiri</u> : Quand vous êtes capable, feignez l'incapacité. Quand vous agissez, feignez l'inactivité. Quand vous êtes proche, feignez l'éloignement. Quand vous êtes loin, feignez la proximité.

<u>Ubwagatatu</u> : La doctrine, l'équité, l'amour pour tous ceux qui sont nos subordonnés et, pour tous les hommes en général, la science des ressources, le courage et la valeur : telles sont les qualités qui doivent caractériser celui qui est revêtu de la dignité de Général.

Kugira ico wisunga m'ubuzima, kutarenganya, gukunda aburongoye, kugira urunani gwintamenwa, kugwanya ubunebwe , no kuba akalorero : ngizo inyifato runtu zitegerezwa kuranga uwatewe iteka akambara ipete rya generali

Hanze y'Igihugu muri Somaliya no muri Centre Afrique, intambwe igezweko mu kugarukana amahoro n'umutekano irashimishije, turashimiye lero ABASIRIKARE.



Ikibazo ca INSS kiriko kirigwa kugira hakosorwe udukosa tutari duke , maze haze haboneke akarusho. Uwutwara urwego nshingwantwaro azobikurikiranira hafi ari mu rwego Gwacu nkaba rero nizera ko ibitari bike bizotora inyishu.

Tutarinze rero kubicisha amajambo, twagomba namwe tubahe ijambo kugira twakire ibibazo , amakenga, intererano mwoba mufise mu mvugo itomoye atagushirukanya kandi twizera ko n'inyishu ziza kuba zitomoye.

Murakoze.